*März / Ntwarante 2021* *kirundi*

# Uranyibuka niwashika mu bwami bwawe!

(Luka 23,42)

**Kontakt:** Meinolf Wacker
Kirchplatz 7
59174 Kamen

Mobil.: +49-172-5638432
Mail: meinolf.wacker@go4peace.eu
Homepage www.go4peace.eu

---

## Vugana na Yezu!
## Talk to Jesus!

Bakunzi b'Ijambo,

Ivyo ari vyo vyose hari ibitari vyagenze neza. We yari yiremetse ububisha bwa benshi. None ariko aravyishura mu gutanga ubuzima bwiwe. Uyo musi bari batatu baciriwe urwo gupfa babambwe. Umwe muri abo we nyene yariyemereye ko ategera igituma bamubamvye. Yivugiye ati : „ni impera y'ivyo twakoze" (lc, 23,41). Iruhande yiwe hari habamwe Yezu, afise imyaka 33, hirya naho umubisha agira kabiri. Yezu yari aho kubera inyigisho yiwe y'urukundo. Yari yadomyeko urutoki akarenganyo kari mu bant. Nico gituma benshi mubo basangiye idini baciye bamutoteza. Baramuciriye urubanza, bagirako baramubamba ku karenganyo.

Kuri uyo musore, nta kigisubira inyuma. Ubuzima bwiwe bwo kuri iyi si buregereje kurangira. Yoba yari acuditse n'Imana akiri kw'isi? Ntavyo tuzi. Ico tubona, n'uko muri ako kanya yaciye yuzura ubugwaneza n'ikigongwe cinshi kuri Yezu. Aritegereza Yezu, aca amusaba ari : „ Yezu, uranyibuka ni washika mu bwami bwawe!" Mu mwiheburo wiwe, yaravugishije Yezu adacishije iruhande. Muri ukwo kumuvugisha, umutima wiwe warahatoreye akajisho n'agahengwe. Niho yaza yumva abwiwe ngo : „Uyu musi nyene, uraza kuba uri kumwe nanje mw'iparadizo".

Hari ibintu vyashitse bukwi na bukwi. Ni umunyeshure yabwirizwa kuja kuba mu gisagara ca kure, akaba akeneye inzu abamwo. Bari basanzwe bari mu nzira baja muri ico gisagara. Kw'iterefone, nta n'umwe yitaba. Niho rero yaraba muri internet, aca arabona n'ingoga inzu imubereye, kandi bashobora kugenda kuraba uyo musi nyene. Niho rero yaca yandikisha iterefone yiwe e-mail, ayirungikira umukenyezi nyene iyo nzu. Ariko yariganyira, ati bega yemwe ko umwanya wacu uharuye, ubwo araza guca atwishura n'ingoga? Turaheza turasenga. Twagira tuti : „Yezu, ni ryaba ari ishaka ryawe, uyo mugore n'asome ubutumwa bwacu kandi ace atwishura. Haheze iminota itanu, tubona aratwishuye, atubaza igihe twipfuriza kuja kuraba iyo nzu. Uyo munyeshure ati : „mu minota 15 ni vyaba bibashobokera". Yishura ati : „Emweee! Ni ukwirukanga! Ariko ni muze birashoboka. Erega burya nta mwanya uriho haba ibidashoboka, ukira kubibwira Yezu. None rero : **Vugana na Yezu! – Talk to Jesus!**

Ku bwa go 4 peace Team Meinolf Wacker